142 *Tubwire inkuru nziza abantu b'uburyo bwose*

(1 Timoteyo 2:4)

1. **Dushaka kwigan'Imana yacu,**
Twigish'abantu bose nantaryo.
Igomba ko ab'uburyo bwose
Bakira bakab'abantu bayo.

(*ICITABIRIZO*)
Umutima wizera
Ni w'Iman'irondera.
Nta we tutabwir'ukuri kwayo.
Ko tuvyitwararika,
Hose turahashika:
"Nta wutocik'umukunzi wayo."

2. **Bashake babe baboneka he,**
Canke mbere babe basa gute.
Mu mutima ni ho hahambaye,
Kand'ivyo ntibiduter'ubute.
(*Icitabirizo*)

3. **Yehova yakir'abahitamwo**
Guheb'isi bagakund'Imana.
Dushaka ko bose babimenya
Ningog'imis'itarabajana.
(*Icitabirizo*)

(Raba kandi 1 Sam. 16:7; Yoh. 12:32; Ivyak. 10:34; 1 Tim. 4:10; Tito 2:11.)
© 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania